رئاسة الشؤون الدينية
بالمسجد الحرام والمسجد النبوي

Ikirundi | كيروندي | كَيْفِيَّةُ صَلَاةِ النَّبِيِّ صَلَّى اللَّهُ عَلَيْهِ وَسَلَّمَ

# INGENE UMUVUGISHWAMANA (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) YASENGA

Canditswe na nyakwubahwa Sheikh
Abdu l'Aziz Bin Abdallah Bin Baaz

كَيْفِيَّةُ صَلَاةِ النَّبِيِّ صَلَّى اللَّهُ عَلَيْهِ وَسَلَّمَ

# INGENE UMUVUGISHWAMANA (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) YASENGA


لِفَضِيلَةِ الشَّيْخِ العَلَّامَةِ

عَبْدِ العَزِيزِ بْنِ عَبْدِ اللَّهِ بْنِ بَازٍ

غَفَرَ اللَّهُ لَهُ وَلِوَالِدَيْهِ وَلِلْمُسْلِمِينَ

Canditswe na nyakwubahwa Sheikh
Abdu l'Aziz Bin Abdallah Bin Baaz

بِسْمِ اللَّهِ الرَّحْمَنِ الرَّحِيمِ

# INGENE UMUVUGISHWAMANA (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) YASENGA

**Kw'izina ry'Imana Allah Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo**

Nihashimagizwe Imana Allah Yo nyene, amahoro n'impuhwe nibisasagare ku Muja wayo akaba n'Intumwa yayo, Umuvugishwamana wacu Muhamadi, ku muryango wayo no ku ngendanyi zayo:

Ibi rero ni ivyanditswe mu ncamake mu kwerekana ingene Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yasenga, nashatse kubishikiriza umwislamu n'umwislamukazi kugira umuntu wese azobisoma arushirizeho akigoro mu kumwigana Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) mu kungene yasenga; kuko yavuze ati:

(صَلُّوا كَمَا رَأَيْتُمُونِي أُصَلِّي).

"Murasenga nyabuna nk'uko mwambonye nsenga"[1]. Tukaba rero tubishikirije umusomyi, mu

---

[1] Yashikirijwe na Al-Bukhaariy, ku nomero ya (605).

nsiguro zikurikira:

1. Gutunganya neza isuku ryo gusenga, na vyo bigasigura ko umuntu atunganya isuku ryo gusenga mu buryo bubereye nka kurya Imana Allah yabimutegetse, yisunze Aayah, aho Imana Allah Nyenukuninahazwa, Nyenuguhabwicubahiro nta ngere Yavuze Iti:

﴿يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ إِذَا قُمۡتُمۡ إِلَى ٱلصَّلَوٰةِ فَٱغۡسِلُواْ وُجُوهَكُمۡ وَأَيۡدِيَكُمۡ إِلَى ٱلۡمَرَافِقِ وَٱمۡسَحُواْ بِرُءُوسِكُمۡ وَأَرۡجُلَكُمۡ إِلَى ٱلۡكَعۡبَيۡنِ...﴾.

﴾Bemeramana! Igihe mushatse guhaguruka muja gusenga mudakwije isuku ryo gusenga, muraheza mutunganye isuku ryo gusenga, maze mwoze mu maso no ku maboko yanyu kugera haruguru y'inkokora, muhanagure ku mutwe, mushoke mwoza amaguru yanyu kugera haruguru y'ijisho ry'ikirenge...﴿ [Al-Maa-ida: 6]. Iyo ni Aayah.

Yisunze kandi inyigisho y'Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aho yavuze ati:

(لَا تُقْبَلُ صَلَاةٌ بِغَيْرِ طُهُورٍ).

"Nta sengesho ryemerwa hatabanje gutunganywa isuku ryo kwihumanura n'iryo gusenga"[1].

Hari n'iyindi nyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana

[1] Yashikirijwe na Muslimu, ku nomero ya (224).

Allah) yabwiye uwari yasenze nabi, iti:

(إِذَا قُمْتَ إِلَى الصَّلَاةِ، فَأَسْبِغِ الْوُضُوءَ).

"Niwahaguruka ugira usenge, urabanza utunganye neza isuku ryo gusenga"[1].

2. Uwusenga arabanza agatumbera ubutumbero (Kibla), na bwo bukaba ari Al-Ka'ba aheza agatumbera n'umubiri wiwe wose, aho aba ari hose, azirikana ku mutima wiwe isengesho ashaka gusenga, ryaba isengesho-bwirizwa (Faradhi) canke isengesho-nyongera (Nafila), ntasabwa guserura ku rurimi rwiwe izirikanagikorwa "Niya"; kuko uguserura ku rurimi izirikanagikorwa nta ngingo yashinzwe ibirekura, ahubwo mbere ni icadukano (Bid'a); kubera ko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) atigeze aserura ku rurimi izirikanagikorwa, eka n'ingendanyi ziwe (Imana Allah Izishimire) ntizigeze ziriserura. Araheza rero agashira imbere y'aho asengera agakingo "Sitra", igihe ari we asengesha abandi (Imaamu), canke igihe asenga ari wenyene. Ugutumbera ubutumbero bwo gusenga rero, ni igisabwa kw'isengesho, kiretse mu bihe bimwebimwe bizwi bisiguwe mu bitabu vy'abamenyi b'idini.

3. Akavuga ikuzamana ruzirriza, ati: "ALLAAHU AKBAR", maze akaguma araba hasi, harya

[1] Yashikirijwe na Al-Bukhaariy, ku nomero ya (5782).

yubamira.

4. Akaduza amaboko mu gihe c'ukuvuga iryo kuzamana, ku rugero rw'ibitugu canke rw'amatwi yiwe.

5. Agashira amaboko yiwe ku gakoratima (musi gato y'igikiriza), ikiganza ciwe c'ukuryo akagishira hejeru y'ikiganza ciwe c'ukubamfu, urukumu na gakombankono z'ukuryo zifashe ku gikonjo c'ukubamfu; kuko ari uko vyakiriwe ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

6. Biri mu migenzo y'intumwa "Sunnah" ko asoma igisabisho co gutangura isengesho "Du'aa-u l-Iftitaah", na co kikaba ari:

(اللَّهُمَّ بَاعِدْ بَيْنِي وبيْنَ خَطَايَايَ، كَمَا بَاعَدْتَ بيْنَ المَشْرِقِ والمَغْرِبِ، اللَّهُمَّ نَقِّنِي مِنَ الخَطَايَا كَمَا يُنَقَّى الثَّوْبُ الأبْيَضُ مِنَ الدَّنَسِ، اللَّهُمَّ اغْسِلْ خَطَايَايَ بالمَاءِ والثَّلْجِ والبَرَدِ).

"ALLAAHUMMA BAA’ID BAYNII WABAYNA KHATWAAYAAYA KAMAA BAA’ATTA BAYNA L-MASHRIQI WAL-MAGHRIB. ALLAAHUMMA NAQQINII MIN KHATWAAYAAYA KAMAA YUNAQQAA TTHAWBU L-AB-YADWU MINA DDANAS. ALLAAHUMMA GH-SILNII MIN KHATWAAYAAYA BIL-MAA-I WATTHALJI WAL-BARADI"[1]. (Mana yanje Nzima! Nyigiza kure,

[1] Yashikirijwe na Al-Bukhaariy, igira iya (744), na Muslimu, igira iya (598).

Untandukanye n’ivyaha vyanje nka kurya Washize kure na kure ubuseruko n’uburengero, ntivyigere bihura. Mana yanje Nzima! Nyeza ivyaha vyanje nka kurya impuzu yera ica ntisigareko umwanda. Mana yanje Nzima! Nyoza ivyaha vyanje n’amazi, urubura rw’imvura n’urw’igikonyozi).

Uwusenga ashatse mu kibanza c'ico gisabisho, yovuga ati:

(سُبْحَانَكَ اللَّهُمَّ وبِحَمْدِكَ، وَتَبَارَكَ اسْمُكَ، وَتَعَالَى جَدُّكَ، ولَا إِلَهَ غَيْرُكَ).

"SUB-HAANAKA LLAAHUMMA WABIHAMDIKA, WATABAARAKA SMUKA, WATA'AALAA JADDUKA, WALAA ILAAHA GHAYRUKA"[1]. (Ininahazwa n'ishimagizwa, ni ivyawe Mana yanje Nzima! Izina ryawe ryuzuye imigisha niryubahwe, ubudahangarwa bwawe nibwubahwe, nta mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Wewe). No mu gihe yokoresha ibitari ivyo bisabisho tuvuze, mu bindi bisabisho vy'ugutangura isengesho vyakiriwe ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), nta kibi coba kirimwo. Ivyiza gusumba rero, ni uko yokurakuranya maze akagira igihe agakoresha iki gisabisho, ikindi gihe agakoresha ikindi; kuko ivyo ari vyo bitunganye mu gukurikira ivyagizwe n'Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah). Hanyuma agaca avuga ati: "A'UUDHU BILLAAHI MINA

[1] Yashikirijwe na Muslimu, igira iya (399).

SSHAYTWAANI RRAJIIM, BISMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM". (Ndikinze ku Mana Allah Inkingire inyoshambi za shetani yavumwe, kw’izina ry’Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo), maze agaca asoma igisomwa c'Intango "Al-Faatiha". Ivyo vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

(لَا صَلَاةَ لِمَنْ لَمْ يَقْرَأْ بِفَاتِحَةِ الكِتَابِ).

"Nta sengesho ry'umuntu ryemerwa mu gihe adasomye igisomwa c'Intango (Al-Faatiha)"[1]. Hanyuma yaheza kugisoma, agaca avuga ati: "AAMIIN", akabivuga mw'ijwi ryumvikana igihe ari mw'isengesho ryo gusoma mw'ijwi ryumvikana, mw'isengesho ryo gusoma mu gacerere naho akabivuga mu gacerere, hanyuma agaca asoma ibimworoheye muri Qor’ani. Ivyiza gusumba rero, ni uko inyuma y'ugusoma igisomwa c'Intango, yosoma mu bisomwa bigereranye mu bikwabuye mw’isengesho ryo ku musase, iryo ku muhingamo n'iryo ku mugoroba (ku kazange); mw'isengesho ryo mu mutwenzi naho agasoma mu bisomwa birebire, nayo mw'isengesho ryo ku kirengazuba, akagira igihe asoma muri birebire, ikindi gihe agasoma muri bigufibigufi. Ivyo akabikora yisunze

[1] Yashikirijwe na Al-Bukhaariy, igira iya (756).

inyigisho z'intumwa zakiriwe zivyigisha.

7. Araheza agaca yunama avuga ati: "ALLAAHU AKBAR" (Imana Allah ni Yo Nkuru nikuzwe), adugije amaboko yiwe ku rugero rw'ibitugu canke amatwi yiwe, agororotse ku buryo umutwe wiwe uringanira n'umugongo, ashize ibiganza vyiwe ku mavi, atandukanije intoki ziwe. Agaheza rero agatururuza ibihimba vyiwe igihe yunamye, hanyuma akavuga ati: "SUB-HAANA RABBIYA L'ADHWIIM". (Ukuninahazwa ni ukw'Imana yanje Rurema Nyenicubahiro), bikaba ari vyiza cane ko asubiramwo ico gisabisho incuro zitatu canke zirenga, biranabereye ko yongerako akavuga ati:

(سُبْحَانَكَ اللَّهُمَّ وَبِحَمْدِكَ، اللَّهُمَّ اغْفِرْ لِي).

"SUB-HAANAKA LLAAHUMMA WABIHAMDIKA, ALLAAHUMMA GH-FIRI LII". (Mana yanje Nzima! Ininahazwa n'ishimagizwa, ni ivyawe. Mana yanje Nzima! Ndagusavye umbabarire ivyaha vyanje)[1].

8. Araheza akwunamuka adugije amaboko yiwe gushika ku rugero rw'ibitugu canke rw'amatwi yiwe, avuga ati: "SAMI'A LLAAHU LIMAN HAMIDAH". (Imana Allah Yamaze kwumva uwuyishimagiza). Iyo ari uwusengesha abandi canke uwusenga ari wenyene, araheza akavuga igihe yunamutse amaze kuringanira ati:

---

[1] Yashikirijwe na Al-Bukhaariy, igira iya (817), na Muslimu, igira iya (484).

(رَبَّنَا ولَكَ الحَمْدُ حَمْدًا كَثِيرًا طَيِّبًا مُبَارَكًا فِيهِ مِلْءَ السَّمَواتِ ومِلْءَ الأرضِ، ومِلْءَ ما شِئتَ مِن شَيءٍ بَعدُ).

"RABBANAA WALAKA L-HAMDU, HAMDAN KATHIIYRAN TWAYYIBAN MUBAARAKAN FIIHI, MIL-A SSAMAAWAATI WAMIL-A L-ARDWI, WAMIL-A MAA SHI-TA MIN SHAY-IN BA'D"

[1]. (Mana yacu Rurema! Ni Wewe Nyenugushimagizwa, ugushimagizwa kwinshi kwuzuye ivyiza, guhezagiye, kwuzuye amajuru, Kwuzuye n'isi n'ibiri hagati yavyo, kandi kwuzuye inyuma y'ivyo, ico ari co cose Ushatse).

Ku muntu asengeshwa n'uwundi "Ma-muuma", araheza akavuga igihe yunamutse ati: "RABBANAA WALAKA L-HAMDU..." gushika ku mpera nk'uko duhejeje kubivuga. No mu gihe umwe wese mui bo (uwusengesha, uwusengeshwa n'uwusenga ari wenyene) yorenzako ati:

(أَهْلَ الثَّنَاءِ والْمَجْدِ، أَحَقُّ مَا قَالَ العَبْدُ، وكُلُّنَا لَكَ عَبْدٌ: اللَّهُمَّ لَا مَانِعَ لِمَا أَعْطَيْتَ، ولَا مُعْطِيَ لِمَا مَنَعْتَ، ولَا يَنْفَعُ ذَا الجَدِّ مِنْكَ الجَدُّ).

"AHLA TTHANAA-I WAL-MAJDI, AHAQQU MAA QAALA L'ABDU, WAKULLUNAA LAKA ABDUN, ALLAAHUMMA LAA MANI'A LIMAA A'TWAYTA, WALAA MU'TWIYA LIMAA MANA'TA, WALAA YANFA'U DHAA L-JADDI MINKA L-JADDU"[2]. (Ewe

---

[1] Yashikirijwe na Al-Bukhaariy, igira iya (711), na Muslimu, igira iya (598).
[2] Yashikirijwe na Muslimu, igira iya (477).

Nyenugushimagizwa Nyeniteka! Ni ryo jambo ry'ukuri mu bivugwa n'umuja, kanatsinda umwe wese muri twebwe ni umuja wawe, Mana yanje Nzima! Nta wugumya ico Watanze, eka nta n'uwutanga ico Wagumije, kandi rero burya nyenamahirwe nta co amahirwe yiwe yomumarira ngo agire ico amuhinduriye imbere yawe), Bikaba bishemeye kuko vyarakiriwe ku Ntumwa (nyakugira amahoro n'imuohwe z'Imana Allah).

Biranabereye ku wumusenga (yaba ari uwusengesha, canke uwusengeshwa, canke uwusenga ari wenyene), ko ashira amaboko yiwe ku gakoratima nka kurya yabigenjeje igihe yari ahagaze imbere yuko yunama, vyemezwa n'inyigisho y'intumwa yakiriwe na Waa-ili mwene Sa'di (Imana Allah Ibishimire bompi), ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

9- Araheza akwubama avuga ati: "ALLAAHU AKBAR", akabanza gushikana amavi yiwe hasi imbere y'ibiganza vyiwe igihe bimworoheye, bitamworoheye naho akabanza gushikana hasi ibiganza vyiwe imbere y'amavi, amano yiwe n'intoke ziwe bitumbereye ubutumbero, intoke ziwe zegeranye kandi zigororotse, maze akwubama ku bihimba vyiwe indwi: uruhanga hamwe n'izuru, ibiganza, amavi, hamwe rero n'imitwe y'amano, maze akavuga ati: "SUB-HAANA RABBIYA L-

A'LAA". (Ininahazwa ni iry'Imana yanje Rurema, Nyenicubahiro- gisumbavyose). Biri no mu migenzo y'intumwa ko asubiramwo iki gisabisho incuro zitatu canke izirenga, biranabereye ko yongerako ati:

(سُبْحانَكَ اللَّهُمَّ رَبَّنا وبِحَمْدِكَ، اللَّهُمَّ اغْفِرْ لِي).

"SUB-HAANAKA LLAAHUMMA RABBANAA WABIHAMDIKA, ALLAAHUMMA GH-FIR LII". (Ininahazwa n'ishimagizwa ni ivyawe Mana yacu Rurema! Mana yanje Nzima! Ndagusavye Umbabarire ivyaha vyanje). Araheza rero agasaba kenshi gashoboka. Ivyo vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati:

(أَمَّا الرُّكُوعُ، فَعَظِّمُوا فِيهِ الرَّبَّ، وَأَمَّا السُّجُودُ، فَاجْتَهِدُوا فِي الدُّعَاءِ، فَقَمِنٌ أَنْ يُسْتَجَابَ لَكُمْ).

"Iyo mwunamye rero, ba muha Imana Rurema icubahiro nta ngere, iyo mwubamye naho, ba murushirizaho gusaba Imana Allah; kuko ari ho bishoboka cane ko mwakiririrwa ibisabisho"[1].

Agaheza rero agasaba Imana yiwe Rurema Allah ivyo yipfuza mu vyiza vyo kw'isi no mu vyo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, haba mu gihe ari mw'isengesho-bwirizwa canke mw'isengesho-nyongera. Mu gihe yubamye rero, araheza akigiza

[1] Yashikirijwe na Muslimu, igira iya (479).

amaboko yiwe kure y'imbavu ziwe, inda yiwe na yo akayigiza kure y'ibibero vyiwe, ibibero vyiwe na vyo akavyigiza kure y'inyamayakibizi (inyamanzuri), maze akareka kurambika amaboko yiwe hasi. Ivyo vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Umuvugiswamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati:

(اعْتَدِلُوا فِي السُّجُودِ، ولَا يَبْسُطْ أَحَدُكُمْ ذِرَاعَيْهِ انْبِسَاطَ الْكَلْبِ).

"Muragorora umugongo mu kwubama, kandi ntihakagire n'umwe muri mwebwe aryamika amaboko yiwe hasi nka kurya imbwa ibigenza"[1].

10. Araheza akwubamuka avuga ikuzamana ati: "ALLAAHU AKBAR", maze akaryamika ikirenge ciwe c'ukubamfu akacicarako, agashinga ikirenge ciwe c'ukuryo ku mano, agashira ibiganza vyiwe ku bibero, maze akavuga ati:

(رَبِّ اغْفِرْ لِي وَارْحَمْنِي وَاهْدِنِي وَارْزُقْنِي وَعَافِنِي وَاجْبُرْنِي).

"RABBI GH-FIR LII, WAR-HAMNII, WAH-DINII, WAR-ZUQ-NII, WA'AAFINII, WAJ-BURNII". (Mana yanje Rurema Allah! Mbabarira ibicumuro vyanje, Wongere Ungirire impuhwe, Undongore mu nzira yawe, Undonse ibimbeshaho bikwiye, Umpe no kuroranirwa mu buzima Wongere Unantere intege)[2]. Araheza rero agatururuza ibihimba mu

---

[1] Yashikirijwe na Al-Bukhaariy, igira iya (788), na Muslimu, igira iya (493).
[2] Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy, igira iya (284), na Abu Dawudi, igira iya (850), na Ibnu Maajah, igira iya (898).

gihe yicaye.

11. Aca yubama ubwa kabiri avuga ati: "ALLAAHU AKBAR", maze akabigenza nka kurya yabigenjeje mu kwubama ubwa mbere.

12. Agaca avyura umutwe yubamuka, avuga ati: "ALLAAHU AKBAR", akicara akanya gato nka karya yicaye hagati y'iyubama rya mbere n'irya kabiri. Ukwo kwicara rero, kwitwa ukwicara kw'akaruhuko "Jalsatu l-istiraaha", ni n'ikintu kibereye, ariko no mugihe atokwicara gato nta kabi kuri we. Muri uko kwicara, nta ninahaza n'itaziramana canke igisabisho bivugwa. Hanyuma agaca ahaguruka aja mu cunamo kigira kabiri yifadikije ku mavi yiwe mu gihe vyomworohera, bitamworoheye naho akifadikiza hasi. Yamara guhaguruka akaringanira, agaca asoma igisomwa c'Intango (Al-Faatiha) agakurikiza n'ikindi gisomwa kimworoheye gusoma muri Qor'ani ntagatifu, hanyuma agaca abigenza nka kurya nyene yabigenjeje mu cunamo ca mbere.

13. Iyo isengesho rigizwe n'ivyunamo bibiribibiri; nk'isengesho ryo mu mutwenzi, iry'ijuma n'iry'imisi mikuru ibiri y'ilayidi, umuntu araheza akicara avuye mu cubamo kigira kabiri, maze agashinga ikirenge ciwe c'ukuguru kw'iburyo, akaryamika ikirenge ciwe c'ukuguru kw'ibubamfu, agaca acicarako, agashira ikiganza ciwe c'ukuryo ku bibero vyiwe vy'ukuguru

kw'iburyo, agapfunya intoke ziwe zose kiretse urutoke gakombankono, areka rugororotse mu kwerekana ko Imana Allah ari Imwe Rudende. No mu gihe yopfunya urutoke gahererezi na gihugunibenga, agapfumbata urukumu kuri nsumbazose, maze akagorora gakombankono, na vyo nyene biba ari vyiza; kuko ubwo buryo bwompi bwarakiriwe ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah). Ivyiza cane rero, ni uko yogira igihe kimwe agakoresha ubu buryo, ikindi gihe agakoresha ubundi. Araheza rero agashira ikiganza ciwe c'ukubamfu ku bibero vyiwe vy'ukuguru kw'ibubamfu, hanyuma agaca asoma iyemanga mu gihe yicaye. Iryo yemanga na ryo rikaba ari iri:

(التَّحِيَّاتُ للهِ وَالصَّلَوَاتُ وَالطَّيِّبَاتُ، السَّلَامُ عَلَيْكَ أَيُّهَا النَّبِيُّ وَرَحْمَةُ اللهِ وَبَرَكَاتُهُ، السَّلَامُ عَلَيْنَا وَعَلَى عِبَادِ الله الصَّالِحِينَ، أَشْهَدُ أَنْ لَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ وأَشْهَدُ أَنَّ مُحَمَّدًا عَبْدُهُ ورَسولُهُ).

"ATTAHIYYAATU LILLAAHI, WASSWALAWAATU WATTWAYYIBAATU, ASSALAAMU ALAYKA AYYUHA NNABIYYU WARAHMATU LLAAHI WABARAKAATUH, ASSALAAMU ALAYNAA WA'ALAA IBAADI LLAAHI SSWAALIHIIN. ASH-HADU ALLAA ILAAHA ILLA LLAAH, WA-ASH-HADU ANNA MUHAMMADAN ABDUHU WARASUULUH". (Indamutso, amahoro n'ivyiza vyose ni ivy'Imana Allah, ewe

Muvugishwamana! Gira amahoro, impuhwe hamwe n'imihezagiro vy'Imana Allah, turakagira amahoro y'Imana Allah; twebwe hamwe n'abaja bayo beranda. Ndemeye ku mutima wanje ndavyatuye n'ururimi rwanje nemanga ko ata mana ikwiye gusengwa vy'ukuri atari Imana Imwe Rudende Allah, kandi ndemeye ku mutima wanje ndavyatuye n'ururimi rwanje nemanga ko Muhamadi ari Umuja wayo akaba n'Intumwa yayo).

Hanyuma akavuga ati:

(اللَّهُمَّ صَلِّ علَى مُحَمَّدٍ وعلَى آلِ مُحَمَّدٍ، كَمَا صَلَّيْتَ علَى إبْرَاهِيمَ وعلَى آلِ إبْرَاهِيمَ؛ إنَّكَ حَمِيدٌ مَجِيدٌ، وَبَارِكْ علَى مُحَمَّدٍ وعلَى آلِ مُحَمَّدٍ، كَمَا بَارَكْتَ علَى إبْرَاهِيمَ وعلَى آلِ إبْرَاهِيمَ؛ إنَّكَ حَمِيدٌ مَجِيدٌ).

"ALLAAHUMMA SWALLI ALAA MUHAMMADIN, WA'ALAA AALI MUHAMMADIN, KAMAA SWALLAYTA ALAA IBRAAHIIMA, WA'ALAA AALI IBRAAHIIMA, INNAKA HAMIIDUN MAJIIDUN. ALLAAHUMMA BAARIK ALAA MUHAMMADIN, WA'ALAA AALI MUHAMMADIN, KAMAA BAARAKTA ALAA IBRAAHIIMA, WA'ALAA AALI IBRAAHIIMA, INNAKA HAMIIDUN MAJIIDUN".(Ewe Mana yanje Nzima! Hundagaza impuhwe zawe ku Ntumwa Muhamadi n'umuryango w'Intumwa Muhamadi, nk'uko Wahundagaje impuhwe zawe ku Ntumwa Ibrahimu n'umuryango w'Intumwa Ibrahimu. Mu vy'ukuri Wewe, ni Nyenugushimagizwa Nyeniteka. Hezagira

Intumwa Muhamadi n’umuryango w’Intumwa Muhamadi, nk’uko Wahezagiye Intumwa Ibrahimu n’umuryango w’Intumwa Ibrahimu. Mu vy’ukuri Wewe, ni Nyenugushimagizwa Nyeniteka)[1].

Araheza akikinga ku Mana Allah kugira Imukingire ibintu bine, maze akavuga ati:

(اللَّهُمَّ إِنِّي أَعُوذُ بِكَ مِن عَذَابِ جَهَنَّمَ، وَمِنْ عَذَابِ القَبْرِ، وَمِنْ فِتْنَةِ المَحْيَا وَالْمَمَاتِ، وَمِنْ شَرِّ فِتْنَةِ المَسِيحِ الدَّجَّالِ).

"ALLAAHUMMA INNII A'UUDHU BIKA MIN ADHAABI JAHANNAMA, WAMIN ADHAABI L-QABRI, WAMIN FITNATI

L-MAHYAA WAL-MAMAATI, WAMIN FITNATI L-MASIIHI DDAJJAAL". (Mana yanje Nzima! Jewe mu vy’ukuri, ndakwikinzeko Unkingire ibihano vyo mu muriro wa Jahanamu, n’ibihano vyo mu mva, ibigeragezo vyo mu buzima bwo kw’isi n’ivy’intureka zo gupfa, n’ingaruka mbi z'ibigeragezo vya Masiihi Dajjaali).[2]

Hanyuma agaca asaba ivyo yipfuza mu vyiza vyo kw'isi n'ivyo mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Iyo rero asabiye abavyeyi biwe canke abandi mu bislamu nta kabi kaba karimwo haba mw'isengesho-bwirizwa canke mw'isengesho-nyongera. Ivyo vyose rero muri rusangi, vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Umuvugishwamana

---

1 Yashikirijwe na Al-Bukhaariy, igira iya (797), na Muslimu, igira iya (402).
2 Yashikirijwe na Al-Bukhaariy, igira iya (1311), na Muslimu, igira iya (588).

(nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze yigisha Ibuni Mas'uud (Imana Allah Imwishimire) uko yovuga mw'iyemanga "Tashahudi", ati:

(ثُمَّ لِيَتَخَيَّرْ مِنَ الدُّعَاءِ بَعْدُ أَعْجَبَهُ إِلَيْهِ فَيَدْعُو).

"Hanyuma yaheza gusoma iyemanga, agashoka ahitamwo mu bisabisho yipfuza gusaba, agasaba Imana Allah"[1]. Mu bundi bwakirizi, hakoreshejwe iyi mvugo:

(ثُمَّ لِيَخْتَرْ مِنَ الْمَسْأَلَةِ مَا شَاءَ).

"Hanyuma yaheza gusoma iyemanga, agaca ahitamwo mu bisabo yipfuza, agasaba"[2].

Ivyo umuntu yipfuza gusaba bivugwa ng'aha rero, hahurikiyemwo birya vyose bimufitiye akamaro mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa. Hanyuma agaca aramutsa iburyo bwiwe n'ibubamfu bwiwe avuga ati: "ASSALAAMU ALAYKUM WARAHMATU LLAAH, ASSALAAMU ALAYKUM WARAHMATU LLAAH".

14. Iyo isengesho rigizwe n'ivyunamo bitatu nk'isengesho ryo ku kirengazuba (Mangribi), canke bine nk'isengesho ryo ku musase (Azuhuri), iryo ku muhingamo (Lasiri) n'iryo ku mugoroba (Akazange: layisha), araheza agasoma iryo

---

[1] Yashikirijwe na Al-Nasaa-iy, igira iya (1298).
[2] Yashikirijwe na Muslimu, igira iya (402).

yemanga rivuzwe aho hejuru, yongeyeko igisabisho co gusabira Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), hanyuma agaca ahaguruka yifadikije ku mavi yiwe, yamara guhaguruka agaca aduza amaboko yiwe ku rugero rw'ibitugu vyiwe canke amatwi yiwe avuga ati: "ALLAAHU AKBAR", agaca ayashira ku gakoratima (ku gikiriza) nk'uko twabibonye, agasoma igisomwa c'Intango (Al-Faatiha) gusa. No mugihe rimwerimwe yosoma mu cunamo ca gatatu no mu ca kane vy'isengesho ryo kumuhingamo ikindi gisomwa mu nyuma y'igisomwa c'Intango, nta kabi; kuko hariho ikivyemeza mu vyakiriwe ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) mu nyigisho ya Abu Sa'iid (Imana Imwishimire). Mu gihe naho yoreka gusabira Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), inyuma yo gusoma iyemanga rya mbere, nta kabi karimwo; kuko ari ikintu kibereye atari ngombwa kumusabira mw'iyemanga rya mbere. Hanyuma araheza akemanga inyuma arangije icunamo ca gatatu c'isengesho ryo ku kirengazuba, n'inyuma y’ica kane c'isengesho ryo kumusase n'iryo kumuhingamo nk'uko twabibonye mw'isengesho ry'ivyunamo bibiribibiri, hanyuma akaramutsa iburyo n'ibubamfu bwiwe avuga ati: "ASSALAAMU ALAYKUM WARAHMATULLAAHI", agaca asaba

Imana imbabazi incuro zitatu ati: "ASTAGH-FIRU LLAAH, ASTAGH-FIRU LLAAH, ASTAGH-FIRU LLAAH", hanyuma akavuga ati:

(اللَّهُمَّ أَنْتَ السَّلَامُ وَمِنْكَ السَّلَامُ، تَبارَكْتَ يَا ذَا الجَلَالِ وَالإِكْرَامِ).

"ALLAAHUMMA ANTA SSALAAMU WAMINKA SSALAAMU, TABAARAKTA YAA DHA L-JALAALI WAL-IKRAAM". (Mana yanje Nzima! Wewe ni We Semahoro, amahoro akomoka iwawe, Wuzuye imigisha Ewe Nyenicubahiro, Nyenubugwaneza!).[1] Imbere yuko ahindukira ngo atumbere abantu mu gihe yoba ari uwusengegesha "Imaamu", aca abanza kuvuga ati:

(لَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ وَحْدَهُ لَا شَرِيكَ لَه، لَهُ المُلْكُ، ولَهُ الحَمْدُ، وَهُوَ عَلَى كُلِّ شَيءٍ قَدِيرٌ، لَا حَوْلَ وَلَا قُوَّةَ إِلَّا بِاللهِ، اللَّهُمَّ لَا مَانِعَ لِمَا أَعْطَيْتَ، ولَا مُعْطِيَ لِمَا مَنَعْتَ، وَلَا يَنْفَعُ ذَا الجَدِّ مِنْكَ الجَدُّ، لَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ، وَلَا نَعْبُدُ إِلَّا إِيَّاهُ، لَهُ النِّعْمَةُ وَلَهُ الفَضْلُ، وَلَهُ الثَّنَاءُ الحَسَنُ، لَا إِلَهَ إِلَّا اللهُ مُخْلِصِينَ لَهُ الدِّينَ وَلَو كَرِهَ الكَافِرُونَ).

"LAA ILAAHA ILLA LLAAHU WAHDAHUU LAA SHARIIKA LAHU, LAHU L-MULKU WALAHU L-HAMDU, WAHUWA ALAA KULLI SHAY-IN QADIIR, LAA HAWLA WALAA QUWWATA ILLAA BILLAAHI, ALLAAHUMMA LAA MAANI'A LIMAA A'TWAYTA, WALAA MU'TWIYA LIMAA MANA'TA, WALAA YAN-FA'U DHA L-JADDI MINKA L-JADDU, LAA ILAAHA ILLA LLAAH, WALAA NA'BUDU ILLAA IYYAAHU,

[1] Yashikirijwe na Muslimu, igira iya (591).

LAHU NNI’MATU WALAHU L-FADWLU, WALAHU TTHANAA-U L-HASAN, LAA ILAAHA ILLA LLAAHU MUKHLISWIINA LAHU DDIINA WALAW KARIHA L-KAAFIRUUN". (Nta mana ibwirijwe gusengwa vy’ukuri atari Imana Allah Yonyene Itabangikanywa, ubwami n’ugushimagizwa ni ivyayo, ni na Yo Mushoboravyose. Nta buhinga bwo guhunga ibicumuro eka nta n’inguvu zo gukora ibitegetswe kiretse mu gihe nshobojwe n’Imana Allah. Mana yanje Nzima! Nta wugumya ico Watanze eka nta n’uwutanga ico Wagumije, kandi nyenamahirwe nta co amahirwe yiwe amumariye imbere yawe. Nta wundi twiyegereza mu vyo dukora vyose tukanasenga kiretse Yo, inema n’impano bituruka kuri Yo, ukuyagwa neza ni ukwayo, nta mana ibwirizwa gusengwa atari Imana Allah, tuyiyegereza mu gusenga tweza n'idini ryayo n’aho abagarariji (abahakanyi) boshavura)[1].

Araheza kandi akaninahaza Imana Allah avuga ati: "SUB-HAANA LLAAH" incuro mirongo itatu na zitatu (33), (Umbweranda ni ubw'Imana Allah); akayishimagiza avuga ati: "AL-HAMDU LILLAAH", incuro nk'izo nyene (33) (Ishimagizwa ni iry'Iama Allah), akayikuza avuga ati: "ALLAAHU AKBAR" incuro nk'izo nyene (33), (Imana Allah ni Yo Nkuru, Nikuzwe), hanyuma agakwiza incuro ijana (100)

---

[1] Yashikirijwe na Muslimu, igira iya (402).

mu kuvuga ati: "LAA ILAAHA ILLA LLAAHU WAHDAHUU LAA SHARIIKA LAHU, LAHU L-MULKU WALAHU L-HAMDU, WAHUWA ALAA KULLI SHAY-IN QADIIR". (Nta mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Imana Allah Yonyene Itabangikanywa. Ubwami n'ugushimagizwa ni ivyayo, ni na Yo Mushoboravyose). Agaca asoma Aayatu l-Kursiy, na "Qul Huwa Llaahu Ahad", na "Qul a'uudhu birabbi l-falaq", hamwe rero na "Qul a'uudhu birabbi n-naas", akabisoma inyuma y'isengesho iryo ari ryo ryose. Biranabereye gusubiramwo ivyo bisomwa bitatu incuro zitatu, mu nyuma y'isengesho ryo mu mutwenzi n'iryo ku kirengazuba; kuko hakiriwe inyigisho z'intumwa zivyemeza ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah). Ibi bisabisho vyose rero, bisomwa ku bw'ukwubahiriza imigenzo y'intumwa, ntibiri mu bitegetswe.

Biremewe ku mwislamu n'umwislamukazi, ko asenga ivyunamo bine imbere y'isengesho ryo ku musase n'ibindi bibiri inyuma yaryo, ivyunamo bibiri inyuma y'isengesho ryo ku kirengazuba, ivyunamo bibiri inyuma y'isengesho ryo ku mugoroba (akazange), hamwe rero n'ivyunamo bibiri imbere y'isengesho ryo mu mutwenzi. Vyose hamwe bikaba ari ivyunamo cumi na bibiri. Ibi vyunamo vyitwa amasengesho yo kwitonesha ku Mana Allah ajana n'amasengesho-bwirizwa

"Rawatib", yiswe uko kuko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yama yitwararika kuyasenga igihe atari ku rugendo. Nayo mu gihe ari ku rugendo, ayo masengesho yo kwitonesha ku Mana Allah yama ayareka kiretse gusa ivyunamo bibiri vy'imbere y'isengesho ryo mu mutwenzi n'isengesho nyahagwe "Witri", ayo masengesho rero Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yama yitwararika kuyasenga, yaba ari ku rugendo canke atari ku rugendo. Ivyiza gusumba rero, ni uko ayo masengesho "Rawaatibu" na "Witri" yosengerwa muhira. Ariko n'aho umuntu yoyasengera ku musigiti, nta kabi karimwo; kuko vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati:

(أَفْضَلُ صَلَاةِ المَرْءِ فِي بَيْتِهِ، إِلَّا الصَّلَاةَ المَكْتُوبَةَ).

"Isengesho rifise agaciro n'ivyiza bihambaye kuruta ayandi, ni rirya umuntu asengera muhira, kiretse gusa isengesho-bwirizwa ritegerezwa gusengerwa mu musigiti[1].

Ukwamizako gusenga ibi vyunamo rero, biri mu mvo zizotuma umuntu yinjira mu Bwami bw'ijuru, ivyo bikemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho

[1] Yashikirijwe na Al-Bukhaariy, igira iya (6860).

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati:

(مَنْ صَلَّى اثْنَتَيْ عَشْرَةَ رَكْعَةً فِي يَومٍ وَلَيْلَةٍ، بُنِيَ لَه بِهِنَّ بَيْتٌ فِي الجَنَّةِ).

"Uwuzosenga ivyunamo cumi na bibiri ku murango no mw'ijoro, bizotuma yubakirwa inzu mu Bwami bw'ijuru"[1].

No mugihe umuntu yosenga ivyunamo bine imbere y'isengesho ryo ku muhingamo, n'ivyunamo bibiri imbere y'isengesho ryo ku kirengazuba, n'ivyunamo bibiri imbere y'isengesho ryo ku mugoroba, biba ari vyiza; kuko hakiriwe ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) inyigisho zivyemeza. No mu gihe umuntu yosenga ivyunamo bine inyuma y'isengesho ryo ku musase n'ibindi bine imbere yaryo, biba ari vyiza; kubera vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti:

(مَنْ حَافَظَ عَلَى أَرْبَعِ رَكَعَاتٍ قَبْلَ الظُّهْرِ، وَأَرْبَعٍ بَعْدَهَا حَرَّمَهُ اللَّهُ عَلَى النَّارِ).

"Uwuzokwitwararika gusenga ivyunamo bine imbere y'isengesho ryo ku musase, n'ibindi bine inyuma yaryo, Imana Allah Izoziririza ko yinjira mu muriro"[2]. Ivyo bikaba bisigura ko umuntu arenza kw'isengasho ryo kwitonesha rijana n'isengesho-

---

[1] Yashikirijwe na Muslimu, igira iya (728).

[2] Yashikirijwe na Ahmadi, igira iya (25547), Al-Tirmidhiy, igira iya (393), na Abu Dawudi, igira iya (1077).

bwirizwa ryo ku musase, ivyunamo bibiri; kuko isengesho ryo kwitoneshayo rijana n'isengesho-bwirizwa ryo ku musase, ni ivyunamo bine imbere yaryo, na bibiri inyuma yaryo. Iyo rero umuntu arengejeko ivyunamo bibiri inyuma yaryo, aba ashitse ku cigishijwe muri iyi nyigisho y'intumwa yakiriwe na Ummu Habiiba (Imana Allah Imwishimire).

Kuri bi vyose rero, Imana Allah ni Yo Nyenugushoboza ibiremwa, harakagira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah, Umuvugishwamana wacu Muhamadi mwene Abdallah, umuryango wiwe, ingendanyi ziwe, hamwe n'abazobakurikira mu bugwaneza kugera ku musi w'impera.

❊❊❊

rn395v2.1 - 04/08/2026

حرمين

رئاسة الشؤون الدينية
بالمسجد الحرام والمسجد النبوي

# رسالة الحرمين

# Message of The Two Holy Mosques

Guidance content for the visitors of the Holy Mosque and the Prophet's Mosque in languages.